# Igihe Imana Allah Yarema Ubwami bw'ijuru hamwe n'umuriro udahera, Yatumye umumalayika Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah)

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aho yavuze iti: "Igihe Imana Allah Yarema Ubwami bw'ijuru hamwe n'umuriro udahera, Yatumye umumalayika Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah) mu Bwami bw'ijuru, maze Imubwira Iti: "Enda nyabuna, genda mu Bwami bw'ijuru, maze urabe ivyo Nategekanirije benebwo". Umumalayika Jibrili maze araraba ibiri muri nya Bwami, araheza aragaruka, aca abwira Imana Allah ati: "Ndarahiye ku cubahiro cawe! Nta wuzokwumva ibiri aho mbonye mu Bwami bw'ijuru, kiretse ko azoharanira kubwinjira". Imana Allah Ica Irategeka ko nya Bwami bukikuzwa n'ivyo abantu banka. Jibrili amaze kubibona araheza avuga n'impungenge n'akantu ati: "Ndarahiye ku cubahiro cawe! Ni ukuri, ndafise ubwoba n'impungenge ko ata n'umwe azoshobora kubwinjira". Imana Allah Ica Imubwira Iti: "Enda rero genda urabe umuriro n'ivyo Nategekanirije benewo". Jibrili agize ngo araravye umuriro abona uragerekeranyeko (uriko uratigita), aca aragaruka abwira Imana Allah ati: "Ndarahiye ku cubahiro cawe! Nta n'umwe azogenda awinjiye". Imana Allah Ica Itegeka ko umuriro ukikuzwa n'ivyo abantu bakunda, Iraheza Imubwira Iti: "Subirayo kandi uheze urabe uko umuriro wifashe". Jibrili agize ngo araraba nya muriro, asanga ukikujwe n'ivyo abantu bakunda", aca aragaruka abwira Imana Allah ati: "Ndarahiye ku cubahiro cawe! Ni ukuri, ndafise ubwoba n'impungenge ko ata n'umwe azorokoka umuriro ngo agende atawinjiye"".

[حسن] [رواه أبو داود والترمذي والنسائي]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yariganiye ingendanyi ko igihe Imana Allah Yarema Ubwami bw'ijuru n'umuriro, Yabwiye Umumalayika Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Iti: Genda mu Bwami bw'ijuru, maze urabe ivyo Nategekanirije abazobwinjira. Umumalayika Jibrili yararavye ibiri muri nya Bwami, araheza aragaruka, aca abwira Imana Allah ati: Ewe Mana yanje Rurema! Ndarahiye ku cubahiro cawe ko ata muntu n'umwe azokwumva ibiri aho mbonye mu Bwami bw'ijuru, mu nema z'akaroruhore n'ivyiza biteye igomwe, kiretse ko azokwipfuza kubwinjira maze agakora ibikorwa vyiza bitegetswe kugira abwinjire. Imana Allah Ica Itegeka ko nya Bwami bukikuzwa n'ivyo abantu banka biremereye kwubahirizwa mu mabwirizwa ashirwa mu ngiro n'ibibujijwe abantu bategerezwa kureka. Kuri ubwo, uwushaka kwinjira muri nya Bwami, ategerezwa kurengera no kwirengagiza ivyo abantu banka. Hanyuma ni ho Imana Allah Nyeniteka n'icubahiro nta ngere Yabwira Jibrili Iti: Ewe Jibrili! Enda rero genda urabe Ubwami bw'ijuru n'ibibukikuje mu

vyo abantu banka, Jibrili amaze kugenda akihweza, mu nyuma yahavuye agaruka, aca avuga n'impungenge n'akantu ati: Ewe Mana yanje Rurema! Ndarahiye ku cubahiro cawe, ni ukuri ndafise ubwoba n'impungenge ko ata n'umuntu n'umwe azoshobora kwinjira mu Bwami bw'ijuru; biturutse ku buremere n'ingorane ziri mu nzira iganayo. Igihe naho Imana Allah Irema umuriro, Yabwiye Umumalayika Jibrili Iti: Ewe Jibrili! Enda nyabuna, genda urabe umuriro wihweze n'ivyo Nategekanirije abazowinjira; Jibrili yaragiye, maze araraba yihweza ibiri mu muriro, mu nyuma yahavuye agaruka, aca abwira Imana Allah ati: Ewe Mana yanje Rurema! Ndarahiye ku cubahiro cawe ko ata muntu n'umwe azokwumva ibiri aho mbonye, mu bihano ruhasha n'intureka z'urutavanako, kiretse ko azokwanka kwinjira mu muriro, ndetse akanigira kure y'ico cose cotuma awinjira. Ni ho rero Imana Allah Yaca Itegeka ko umuriro ukikuzwa n'ivyo abantu bakunda, maze Igira inzira iganayo kuba irimwo ibihendamaso n'ibiryoheye ijisho vy'isi, Iraheza Ibwira Jibrili Iti: Ewe Jibrili! Enda subirayo kandi uheze urabe uko umuriro wifashe. Jibrili ni ho yasubira kuraba nya muriro, asanga ukikujwe n'ivyo abantu bakunda mu bihendamaso n'ibiryoheye ijisho vy'isi, aca aragaruka abwira Imana Allah n'impungenge n'akantu ati: Ewe Mana yanje Rurema! Ndarahiye ku cubahiro cawe! Ni ukuri, ndafise ubwoba n'impungenge ko ata muntu n'umwe azorokoka umuriro ngo agende atawinjiye; ndavye ibiwukikuje mu bihendamaso n'ibiryoshe vy'isi.

https://sunnah.global/hadeeth/rn/show/65034